# IJAMBO RYA NYENICUBAHIRO UMUKURU W'IGIHUGU RISOZERA UMWAKA W'2022.

**Bavukanyi;**

**Barundi;**

**Barundikazi;**

**Bakunzi b'Uburundi !**

1. **Nituninahaze Imana Rugiravyose yoyo yaduhaye gushika ku musozo w'uyu mwaka w'2022, tukaba turi mu kanyamuneza ka Noheri n'Ubunani turi mu mahoro n'impore.**
   **Turizeye ko uyu mwaka mushasha w'2023 turiko turinjiramwo tuzowuronkamwo ivyo twipfuza vyose mu gihugu cacu.**

2. **Ndizeye kandi yuko aho muherereye hose haba mu Burundi canke mu mahanga, muriko mwigina iyo misi mikuru mwongera mwirimbura mu kwiyumvira n'imigambi itomoye muzorangura muri uyu mwaka mushasha.**

   **Turabipfurije rero kuroranirwa muri uyo mwaka mushasha w'2023; muze muwurye ntubarye,**

**muroranirwe iwanyu no mubanyu kandi muze muteze imbere imiryango yanyu n'igihugu.**

3. **Uyu mwaka utanguye, uje ari mushasha. None turashaka ko natwe twiyubura tube bashasha; ingeso mbi twari dufise muri uyu mwaka uheze ntizidukurikire muwuza.**

   **Uyu mwaka utanguye turawizeye ko uzotubera icibutso c'iterambere mu Burundi. Nico gituma dushaka gukorera mu runani twese, tugiwe imbere n'indongozi zose z'igihugu.**

   **Ni muri iyo ntumbero dushinze ko icivugo tuzogenderako mu mwaka w'2023 kitubera iki: "Tuzirikane uruhara rw'indongozi mw'iterambere ry'igihugu n'abenegihugu».**

   **Mukwiyumvira ico civugo, twipfuza ko twese abenegihugu twokwigenza nk'inteko zikorera mu runani, mu rugamba rw'iterambere. Indongozi nazo, twipfuza ko zoba nk'intwazangabo, muri urwo rugamba.**

**Dushingiye ku ndongozi kuko twabonya ko igihugu kirimwo indongozi nziza kigendera ku ntwaro ibereye, kikagira iyo gitera kija haboneka.**

**Barundi Barundikazi,**

**Bakunzi b'Uburundi.**

4. **Reta Mvyeyi / Reta Nkozi irakwije imyaka ibiri n'igice iri ku kivi. Turashima intambwe tugezeko naho impinga ikiri ndende.**

   **Amahoro n'umutekano birasasagaye mu gihugu, ndetse uburundi bukaba buriko burafasha bimwe biboneka ibindi bihugu mukugarukana umutekano.**

5. **Mu ntwaro ibereye no kubungabunga itunga rusangi, turacabona mu ndongozi, ba kaboko, abasesagura itunga ry'igihugu, abaryi b'ibiturire, ba sindabibazwa n'ibinebwe.**

No mu benegihugu, turacabona n'abandi batarajijuka, bakibona ko ivy'igihugu atari gwabo, bakavyonona ahandi bakabinyaga bashaka kuvyigarurira.
Ndetse hari n'abandi bamarira itunga ry'igihugu mu bindi bihugu, babicishije mu binywabi.

Ariko ico dushima ni uko muri abo bose, beshi baramaze gutahura babonye ko kizira kwonona itunga rusangi, naho babikora babikorana ubwoba.

6. Mu butungane naho, n'ubu imyidodombo ntirahera kuko twaje gusibura ikirare c'imyaka myishi. Ariko naho hakiri abaruhisha inzego z'ubutungane bashaka kuzihushisha ingingo, turabona ko abaremera izo nzego bitwaje igihagararo bagabanutse bimwe biboneka. Ikindi ciza ni uko ubu ata kibi kigikorwa ngo giheranwe.

Dufise umwizero mwishi kuko aho hagiriyeho intahe yo kumugina, hagatunganywa neza n'inama nkuru y'ubucamanza, turabona ko ibintu bigeye kuja mu

**buryo, kuko abacamanza bakora nabi nabo basigaye bitwarirwa.**

**Ku benegihugu bafise imanza muri CNTB zitari bwahere nabo, amategeko ariko arasubirwamwo kugira ngo zimurirwe mu murwi wo kumenya ukuri no kunywanisha.**

7. **Turabandanya kurwanya abanyonora itunga rusangi, baba abashora ubutare canke umwimbu bidaciye mu mategeko, baba abinjiza ibidandazwa vyo mu kinywabi. Turabandanya kugarukana ivyari vyaribwe kandi tukaba tutazoruhuka bakaboko badatujijwe burundu. Ubu tukaba tumaze kugaruza amahera atari ake, nayo ayagarujwe akaba ariko arakora mu bikorwa vy'iterambere vyari vyarabuze uburyo.**

8. **Mu bijanye n'imigenderanire, dusozereye uyu umwaka w'2022 imigenderanire y'Uburundi n'ayandi makungu iri ku rugero gwiza cane. Uburundi bwarashinze icumu mu makungu. Ubu Abarundi ntibakigenda**

babundabunda, ubu barizigirwa no mu nzego mpuzamakungu canke mu karere.

Mu bibazo bihanze isi, cane cane intambara ziri hirya no hino n'amatati hagati y'ibihugu, Uburundi bwaranse kwisuka mu matati ayo ari yo yose, tukaba twiyemeje ko tuzokwama duterera agacumu k'ubumwe mu gutora umuti gusa.

9. Mu gisata c'ubuzima bw'abenegihugu, tuguma turajwe ishinga no guteza imbere igisata c'amagara y'abantu, no guteza imbere inyigisho mu mashule.

   Turategera neza ko iyo abantu bafise amagara meza, bakagira n'ubumenyi, igihugu naco baca bagiteza imbere. Nico gituma ivyo bisata tubishiramwo inguvu nyishi haba mukwubaka amashule n'amavuriro.

10. Mubijanye no gukurikirana ingene abenegihugu babayeho, tuguma twita ku rutare kugira ngo umwenegihugu wese aronke umufuko utuma yikenura. Ni muri iyo ntumbero twasubiyemwo politike

**y'impembo iroswa abakozi b'igihugu ndetse n'impamba y'abagiye mu karuhuko k'izabukuru.**

**Muri iyo ntumbero, amategeko atari make aramaze gusubirwamwo, ayandi ari mu guterwako umukono kugira ngo batangure kubona akarusho, duhereye ku bakozi b'Igihugu baziganirije muri INSS na ONPR.**

**11. Ku bakozi bakora mu mashirahamwe yigenga, ay'abikorera utwabo, n'amashirahamwe Reta ifisemwo imitahe, ibiganiro biracabandanya hagati ya Reta, abakoresha n'abakozi kugira ngo bige neza uko iyi ngingo izoja mu ngiro ata myidogo.**

**12. Muri ivyo bijanye n'ubuzima bw'abenegihugu nyene, murazi ko hariho imigwi idasanzwe, ikomeye mw'iterambere nayo ikaba ari urwaruka n'abakenyezi.**

**Intambwe urwaruka n'abakenyezi bagezeko mu bikorwa vy'iterambere ni igitangaza. Umuzirikanyi ubona neza watanguriye iwabo kandi biragaragara mu migambi ishimishije ruriko rurarangura. Turashimishwa cane n'umugambi PAEEJ n'ikigega FIGA biriko**

birafasha kugira ya ma banki y'urwaruka, BIJE n'iy'abakenyezi, BIDF ashobore gufasha kugira ngo boroherwe.

13. Mu gisata c'uburimyi, ubworozi n'ibidukikije, ari nawo muzi n'igishitsi mw'iterambere, abenegihugu bari ku kivi kandi imbere ni heza kuko abarimyi bamaze guca urwevu kuva dutanguje umwaka w'uburimyi.
Turashima ko Abarundi batahuye umugambi wo kurima bakavomera mu ci, gushira amatongo hamwe no gukingira ibidukikije mu gutera ibiti bibana n'ibiterwa no guca imikobeko.
Ico tugiye kwihutira ni ukugwiza ifumbire, kugwiza imbuto zirobanuye no kurima dukoresheje ubuhinga bwa none.

14. Nk'uko tumaze imisi tubibabwira, dutegerezwa kwimbura kugira ngo dushore hanze, maze turonke ya mafaranga mvamakungu. Ni muri iyi ntumbero hari umugambi wo kworora ibitungwa bitobito bitaruhisha nk'inkoko n'inkwavu, umuntu wese akagira

n'imiburiburi inkwavu zitanu kugira ngo dufungure neza twongere dushore.

Nkaba nsavye abagwizatunga gushira imitahe muri iki gisata kugira ntiborore gusa, ahubwo bashinge amahinguriro yo gutunganya inyama, abenegihugu na bo ntibagire ubwoba kuko tuzoba baronse isoko.

Barundi Barundikazi,

Bakunzi b'Uburundi,

15. Mu gisata c'ubutunzi n'iterambere, urwego nshingwabikorwa rw'igihugu rurabandanya gutunganya imigambi yotuma abenegihugu bose bagira ubuzima bwiza, tukaba tugiye gusohora igicapo c'uko twipfuza ko igihugu coba kimeze mu mwaka w'2040, hamwe no mu 2060. Mu 2040, dushaka ko abenegihugu bose bazoba bafise amikoro atuma babaho neza mu gihe mu 2060, dushaka ko Uburundi coba ari igihugu giteye imbere.

**Ivyo rero bisaba guhindura ingendo n'inkoro mu benegihugu kuko tugiye gusiganwa n'umwanya. Umusi wose uharurirwa ku carangutse.**

**Ikindi twovuga ni ugutunganya neza ibijanye n'ubutunzi, mukwegeraniriza mu kigega c'igihugu, amahera yose yinjira mu bisata vy'igihugu no gutoza amakori n'amatagisi yose.**

**Mu gukoresha ikigega naho, tugiye gutunganya neza ya ngendo amahera yose akoreshwa herekanwe ico azokoreshwa ku neza y'abenegihugu kandi kigasuzumwa igihe kigeze.**

**Ni muri iyo ntumbero hashinzwe imigambi yo kwegereza ubutegetsi abenegihugu, mu kugabanya intara n'amakomine no kwongereza amazone, kugira ngo ivyo abenegihugu bakeneye mu ntwaro babikure hafi batarinze kuvunika. Gutyo bagume ku kivi.**

**16. Kugira ikigega c'igihugu gikoreshwe neza, twafashe ingingo yuko ibisata vyose vy'igihugu bitegerezwa gukoresha ubuhinga bwa none.**

**Ni muri iyo ntumbero Reta iriko irakora ibishoboka vyose kugira ngo tuze dusozere umwaka w'2023 ibisata vyose vy'igihugu bikoresha ubuhinga bwa none, ari na bwo buzotuma vyoroha kurwanya ba kaboko n'ibinebwe, mu kumenya neza ibikorwa vyakozwe n'aho vyakorewe.**

**17. Mubijanye no kworohereza abagwizatunga, ibanki nkuru y'igihugu iriko iriga neza ingene ubu amahera mvamakungu azokwegeranywa akongera agahabwa abazana ibikoresho biva hanze atawucishije ku ruhande.**

**Amabanki akorana n'abagwizatunga asabwa kugira uruhara mw'irangurwa ry'uwo mugambi ku buryo ibanki nkuru izosigara ari iyigenzura ingene amahera abagwizatunga baronka biciye ku turusho bahabwa n'iyo banki akoreshwa.**

**18. Mu migambi mikuru mikuru mu vy'ubutunzi turiko turatunganya kandi ivyo kuvunja amafaranga mvamakungu. Ni igikorwa turiko turakorana n'Ibanki**

**y'Isi yose, Ikigega Mpuzamakungu gikurikirana ivy'amafaranga FMI n'abandi.**

**Tugiye kandi gufata ingingo zizotuma abakibika amahera mw'ihembe, yaba mvamakungu canke y'amarundi, baheba iyo ngendo kuko iraburabuza imigambi y'igihugu. Umuntu atagira umugambi, nashire amahera yiwe muri banki hanyuma abifitiye imigambi bayakoreshe.**

**19. Twashaka kumenyesha abagwizatunga ko dushaka ko ari bo bofata iyambere mu guteza imbere igihugu biciye mu kugwiza umwimbu.**

**Ivyo bahingura mu gihugu biriho, bwaba ubutare canke isi, hasigaye ko baja ku kivi.**

**Twaramaze kwiyumvira ingene abo bagwizatunga bazokorera mu runani ruri hagati y'amakoperative nabo, inzego z'igihugu zigasigara ari izorosha urwo runani mukubashiriraho ibikenewe kugira umwe wese agire akunguko.**

**Bavukanyi,**

**Barundi,**

**Barundikazi,**

**20. Ku ruhande rw'inzego z'igihugu, ntaco tutazokora kugirango umurundi wese ashaka kugwiza itunga ry'igihugu yoroherwe, haba mukwubaka amabarabara, kugwiza umuyagankuba, gushigikira abakiri ku rugero ruto mu mutahe.**

**Ico tubasaba gusa ni uko mwokora umutima uri mu nda, tukarwanya ikinebwe aho kiri hose kuko mu Burundi ntiharagera ko tuvuga ko twabuze ico dukora haba mu bijanye n'uburimyi n'ubworozi, amahinguriro, ba mukerarugendo canke mu buhinga ngurukanabumenyi.**

**21. Twari tumaze imisi mu mwimenyerezo wo gukora, none ubu twaciye urwevu, tuve hasi nk'umugabo umwe, tugire urunani nk'inteko, twese duhangane n'umwansi umwe dufise ari we ubukene.**

**Tuvyure umuzirikanyi wacu, dushire ubumenyi bwacu mu bwenge, dukore tubona iyo tuja.**

22. Nashaka nsabe umukozi w'igihugu wese guheba ingeso mbi yo kudakoresha neza umwanya, agafata ugucererwa nk'ikintu gisanzwe. Tugire umugenzo mwiza wo kugira indinganizo y'umwanya, mu kugira ikibariko c'indinganizo y'ibikorwa, gurtyo igikorwa cose kigire umwanya waco.

Ndongozi namwe, mumenye ko umwaka w'2023 ari umwaka wo kuzirikana uruhara rwanyu mw'iterambere ry'igihugu. Mubere abenegihugu intwazangabo nziza mu rugamba rwo kugwanya ubukene.

Imana yacu ibandanye ituja imbere mu kutumurikira inzira.

23. Ni kuri ayo majambo ndangirijeko, nsubira kubipfuriza umwaka mushasha, uzobabere umwaka w'umuvuduko mw'iterambere.

Niharambe Uburundi n'Abarundi,

Imana ibahezagire,

Murakoze.